# Ijambo rya Nyenicubahiro Varisito NDAYISHIMIYE ku musi twibuka imyaka 63 iheze Uburundi buhabuje intahe yo kwikukira

**Bujumbura, ku wa 1 Mukakaro 2025**

***Arakaninahazwa Umukama Imana Mushoboravyose We yama amurikira Abarundi mu nzira barimwo igana ku Burundi Buteye Imbere.***

**Bavukanyi,**

**Barundi Barundikazi;**

**Ncuti z'Uburundi**

1. Imyaka mirongo itandatu n'itatu irarumanye Uburundi buvuye mu minwe y'Ubukoloni.

   Uno musi turiko turahimbaza uwo musi wa mbere Mukakaro umwaka w'1962, aho twasubizwa intahe yo kwikukira. Tuwuhimbaje turi mu mahoro, Abarundi nka bose babona kumwe iyo baja, inyuma y'imyaka myinshi twamaze turi mu ndyane; ducanishijwemwo n'urugamba rwo kwikukira nyene, kuko hari Abarundi b'ibigaba bagumye bakorera mu kwaha kw'abakoloni batipfuza uko kwishira tukizana.

   Birahimbaye kubona uyu musi tuwuhimbaje tumaze gukanura tukabona ko igihugu cacu ari twebwe nyene tuzociyubakira ; na kare ukwikukira bisigura ***"Uburenganzira bw'abenegihugu bwo kwitunganiriza kazoza kabo"***.

2. Ntituzigera rero twibagira Umuganwa atari umugani Rudoviko Rwagasore, incungu y'intahe y'ukwikukira;

   Ntituzokwigera kandi twirengagiza n'izindi ncungu z'Uburundi zose zitangiye igihugu, kuko ni zo dukesha aho tugeze uno musi mu kwishira n'ukwizana mu gihugu cacu.

3. Uyu musi mu kuwuhimbaza, twashimye gushimikira kuri iki civugo ngo:

   « ***Ukwikukira nyakuri ni ukumenya kwibako, ariko utanse gukorana n'abandi*** **».**

   Twaciyumviriye dufatiye ku bihe tugezemwo mu gutorera umuti ibibazo bihanze isi, na vyo bikuru bikaba ari nk'ibi : uguhangana n'ibidukikije, ibiza n'isibe, ibikorwa vy'iterabwoba, ubudandaji mpuzamakungu n'ibindi.

4. Umuntu kugira ngo ashobore kwibako, arondera umwidegemvyo mu bijanye n'iterambere.

   Kugira ushikire umwidegemvyo w'ukuri, upfundika umugambi, ukamenya ko utegerezwa kurya ivyo ubiriye akuya, ukagira umwete mu bikorwa, ukiteza imbere ata we ubanje kwazambira, ariko kandi ntube nyamwigendako, ukugurukira abandi mugakorana, kuko ngo **« ukuboko kumwe kuriyaga ariko**

**ntikwimara uburyi », « tubiri na two tukaba tuvurana ubupfu ».**

Ivyo ni vyo dushimikirako mu nzira turimwo izodushikana ku gihugu giteye imbere. Ni co gituma mubona mbere mu makungu no mu karere basigaye bizera cane Uburundi.

**Barundi benewacu!**

5. Duhimbaje uyu musi mukuru twaramaze gufata ingendo nshasha:

   Twaramaze twebwe nyene Abarundi kwigenera ingene ubutegetsi bw'igihugu cacu bwotunganywa n'ingene bukoreshwa ku neza y'Abarundi bose.

   Ivyo na vyo bishimikiye ku gukingira abenegihugu mu buzima bwabo, ndetse bikaboneka ko ata n'umwe ari hejuru y'amategeko canke agendera ku bandi. Bishimikiye kandi mu kwishira n'ukwizana kw'umuntu wese ari mu gihugu mu bikorwa vyiwe vya misi yose.

6. Duhimbaje kandi uyu musi mukuru Abarundi dufise imbonakazoza iducira inzira izodushikana ku gihugu cifashe kandi giteye imbere, iryo terambere rikaba ari ryo rizotuma biboneka neza ko twikukiye.

   Iyo mbonakazoza yaratumye Abarundi bose baja ku kivi, uyu musi ukaba ushitse abatari bake bamaze gutoha, mbere bamaze no kwubaka umushinge bazoshingirako mu gushika aho Umurundi wese azoba yiyumva ko ateye imbere.

   None rero ko dushitse uyu musi, ni igihe co gusuzuma intambwe tugezeko kugira ahagoramye tuje inama yo kuhagorora, aho vyanse naho dusuzume ingene twohahinyanyura.

7. Kugira uvuge ko wikukiye, ni uko uba wigaba ukigaburira. N'umwana mu muryango yerekanye ko yakuze, ko ashaka kwikukira, yubaka urugo rwiwe; akaba ari we amenya ikimwiriza n'ikimuraza.

   N'ibihugu ni kwo kw'uko, nta wikukira ngo agume ahanze amaso uwo yiganzuye. N'Imana igihe yakura bene Israeli mu minwe y'ubutegetsi bwa Misiri, yabaciye amahani iti: ***"Ntimuzokwigere musubira gufata iyi nzira".***

   N'Abarundi rero, bemeye kwishira n'ukwizana, baba bemeye ko ari bo nyene bagiye kwitunga. None ubu bimeze gute? Twovuga ko twishoboye ? Uko biri kwose, turi mu nzira nziza.

8. Muri iyo myaka iheze, twebwe twenyene twama mu kajagari, nk'uko wamengo turi ubusimbirahamwe, vyari vyatunaniye kwemerana ngo dutore muri twebwe aboturongora mu gihugu. None ubu twamaze kwerekana ko twabaye abagabo.

   Tunama rimwe, tubona kazoza kamwe twese, tukabona ko twohundara ku mugambi umwe no kubaduserukira bamwe ata busimbirahamwe.

   Iki ni ikimentso gikomeye kuko ubu n'uwodutera yosanga turi umwe, kanatsinda twaratahuye ko turi bene mugabo umwe.

**Barundi benewacu!**

9. Iyi sabukuru y'imyaka 63 y'ukwikukira, ishitse haciye imisi mike tuvuye mu matora y'abashingamateka n'ay'abajenama b'amakomine.

   Ni amatora twitunganirije twebwe nyene, ata mfashanyo z'uburyo canke z'ubuhinga zivuye hanze y'igihugu***, kandi noneho si ubwa mbere***, ariko abarorerezi bo mu bindi bihugu vyo hafi n'ivya kure bari bahishikiye ngo bakurikirane ingene amatora agenda, barashimye kandi barabonye ko Abarundi babaye abagabo babushitse. Ico ni kimwe mu bimenyetso bikomeye vy'intahe yo kwikukira: ukwitunganiriza uburongozi bw'igihugu.

   Twongeye gukeza Abarundi bose kuko amatora yaranzwe n'amahoro n'umutekano, nkaba nongeye kubashimira kuko batahuye ko hari ikiruta ikindi : amahoro n'umwumvikano mu vyo bakora vyose.

10. Ubwa kabiri, kugira umenye ko wikukiye, ni wewe wironderera ibigutunga. Uba giswi cinobera kitarondera uwugitorera.

    Aho mu myaka iheze, Abarundi twarigaya. Twari tuzi ko ico dukora cose tubanza kurondera abakidufasha; koko wamengo turi abatishoboye kandi dufise incabwenge, dufise Abarundi b'abakozi; ndetse n'ivyo gukora biriho.

None uno musi ushitse Abarundi baramaze kwiyemera, ubu ico bakora cose baraciyumvira bo nyene bakabona igikwiye, hanyuma bakaja ku kivi.

Ntawutabibona ko twagwanije inzara ku rugero rushimishije, ntawutabona ko Abarundi batanguye kwiyubakira aho baba heza, batakiba mu vyari nk'inyoni. Ico ni ikimenyetso.

Ivyo tubuze na vyo, turazi ko atawuvuka rimwe ngo ace yuzura ingovyi. Umwizero uriho kuko twaramaze gufata umurindi uboneka.

11. Turavye imyaka twacerewe, tukaraba imyaka tumaze twikubise agashi, umurindi turiko urashimishije, n'uko gusa ivyo tubura bikiri vyinshi bigatuma twidodomba, mbere tukibagira n'ivyo tumaze kuronka.

Aya mahoro dufise ni ntasubirizwa, abatayafise barabizi, ndetse na twebwe ntituribagira ikiguzi twayarondeje.

Uwu mwumvikano dufise mu mice yose y'Abarundi, ni umutahe kuko ni wo utuma dusenyera ku mugozi umwe, tugaheza tugatera imbere nk'umuzinga.

Uyu mwimbu dufise mu mfungurwa si ko vyamye; gufungura neza nayo ni yo ntango y'ubuzima bwiza bw'abantu.

Ibi ni vyo bituma tugira umwizero wa kazoza.

**Barundi, Barundikazi,**

12. Dusubire tuvyibukanye, ntihagire uwuhendwa ngo ahirahire arwanye demokarasi turimwo; kuko, azoba arwanije igihugu cose, azoba arwanije Abarundi bose, azoba ari umwansi w'igihugu.

Uwohirahira, nk'uko Umuhisi Ndadaye yakunda kubivuga, ngo « Abarundi bose tuzovira hasi rimwe tumurwanye, tumubohe ». Ahubwo nimuze dushimire Imana, dushimire incungu y'intahe y'ukwikukira, dushimire incungu ya demokarasi, dushimire n'abo bose bashize imbere ya vyose ugukunda igihugu, ubumwe, amahoro n'umutekano, tugendere mu makanda yabo, dutsimbataze intahe y'ukwikukira dushize imbere ibikorwa.

Uru runganwe turimwo, harageze ko natwe tugira ico dukoze imvyaro zizokurikira zizotwibukirako.

Naco si ikindi, ni urugamba rwo kugwanya ubukene ngo tubategurire aho bazoshikira hatekanye kandi hateye imbere mu vyo bakenera.

13. Mu bijanye n'iterambere, ubu twarabonye aho twari twarahombeye :

Ubwa mbere kwari ukubura indongozi zibushitse zo gutunganya no kubungabunga itunga rusangi.

Intwaro ibereye ni yo itanga intumbero y'ibikorwa, ikegeranya amakori n'amatagisi kugira ayo na yo akoreshwe mu migambi y'iterambere rusangi.

Intwaro ibereye kandi iramenya guha intumbero abenegihugu mu kuvyaza umusaruro itunga kama Imana yaturemeye.

14. Ica kabiri kwari kutamenya ko dushoboye kandi dufise vyishi twokora.

Abarundi, aho tugiriye ku kivi twarabonye ko bashoboye kwiteza imbere muri vyishi. Ni incabwenge zishobora kuvumbura ibintu bishasha bashobora gushira kw'isoko ndetse baranakerebutse mu gushira mu ngiro imigambi yabo.

15. Aho mu myaka iheze, hari habuze ishaka mu Barundi n'umwete mu bikorwa vy'iterambere, no mu kwitwararika ivy'igihugu cacu, ari yo mpamvu uno mwaka twawise « **umwaka w'umunyamwete »**, umwete utazoherana n'umwaka turimwo, umwete urama, umwete tuzoraga abana bacu, umwete w'imyaka yose.

Kandi turabona ko Abarundi benshi, canecane urwaruka rwakuye amaboko mu mpuzu, rukijukira ibikorwa.

16. Naho biri uko turacabona indongozi zigira sindabibazwa, ziguma ziyicariye gusa ngo zirindiriye intumbero kandi biyita ko ari bo mboneza z'abandi.

Turacabona kandi Abarundi bakirondera intumbero y'ivyo bakora kuri ba kavamahanga nk'uko umengo ntibaracuka. Mbere hariho n'abakibona ko amashirahamwe mpuzamakungu ari yo atwara

Uburundi, iyo bafise ikibabakiye ari yo baja kwitura nk'uko umengo nta butegetsi buri mu Burundi.

Abandi na bo ni ibinebwe bikibona ko bazobaho bateze amaboko abanyamahanaga bakibagira ko na bo bifitiye ingorane z'ubuzima bw'abenegihugu babo.

Abo bose ni bo baduteza akagaye, bigatuma abanyamahanga bama bashaka kwisuka mu vyacu, kuko murazi neza ko igihengeri mu gwuri gitera imfyisi ameru.

17. Mu gutsimbataza intahe y'ukwikukira, birasaba kwizigirana no gufatana mu nda, kubona ibintu kumwe no gukunda igihugu. Dutegerezwa kandi kugwiza abagenzi b'intahemuka, tugakomeza imigenderanire myiza n'ibindi bihugu n'amashirahamwe mpuzamakungungu mugabo tutisuzuguje mu gusega, ahubwo dufashanya.

Ni ko gushinga icumu mu mashinga ; ni ko kwinjira mw'iterambere.

Ntitwobandanya kuba mu gihugu cikukiye, kandi gifise ubutunzi kama amakungu akeneye, gifise abenegihugu b'abakozi, urwaruka rwinshi kandi rukerebutse, hanyuma ngo tugume twigunze, dukenye, kandi dushobora gukora ibiduza ubutuzi, na canecane mu gushora mu mahanga ivyo dufise kugira ngo tugure ivyo tudafise.

18. Turizeye ko ako kamo Abarundi bose, cane cane abagwizatunga bakumvise kuko muri bimwe vyahora ari inzitizi zituma tudahingura ngo dushore itunga kama biriko birava mu nzira.

Aha twovuga cane cane nko ku kibazo c'umuyagankuba kiriko kiratora inzira kuko kuva mu mwaka w'2020, twavuye ku ma megawati 47,35 ; ubu tukaba tugeze kw' 166,29. Mu misi iza tukaba twizeye ko n'izindi ngomero zizoba zimaze kwuzura.

Iki kikaba kimwe mu bimenyetso bigaragaza ko turiko turatsimbataza intahe yo kwikukira, kuko umuyagankuba ari nkenerwa cane mu kurangura imigambi minini minini y'iterambere, nko mukubaka amahinguriro, amabarabara y'indarayi, gucukura ubutare no kubuhingura n'ibindi.

**Barundi, Barundikazi,**

19. Ko ibintu bimeze uko, reka tuje inama, ntidusubire kujuragirika nko muri kahise.

Ica mbere, mumenye ko Intahe y'Ukwikukira twayitsindiye imyuma y'amatora y'imigambwe myinshi. Kandi nk'uko nabivuze, murabizi ko duhimbaje uyu musi twaraye tuvuye mu matora, amatora yabaye mu mutekano no mu mwumvikano ntangere.

Tumenye ko mu ntwaro ya demokarasi dukwiye kuvavanura na kagatima ko kwama twikwegerako, tuvuga ngo **« Atari jewe nta wundi »**, ngo bitabaye uko ndavyipfuza, vyose bishake bimeneke.

Kandi tumenye ko amatora atari umwanya w'amagaburanyama, kuko igihugu nitwagitabagura, umusuri wo kugisana uzotugora. Tuzirikane aho inyifato mbi nk'iyo yagejeje Uburundi n'Abarundi, imigambwe n'abanywanyi bayo bakaryana baryanira ivyicaro, mbere kenshi inganda zigatikira.

20. Mw'ijambo Umuganwa Rudoviko Rwagasore yavugiye i Gitega ku wa 28 nyakanga 1961, imbere y'Abashingamateka batowe, abashikiriza abagize Reta y'Uburundi, yavuze ati :

**« Mutegere neza ko ikiza imbere ya vyose ari ineza y'Uburundi n'Abarundi babizeye. Ni co gituma rero muravye umurwi tubashikirije, ntihagire uwibaza ati : Ni kuki jeho ntarimwo ? Ahubwo mwomenya ko umw'umwe wese muri mwebwe afise ibanga n'igikorwa bitomoye bimurindiriye. Ico Abarundi babasavye, birabereye ko mukirangura mukirinda uguharanira inyungu canke ivyicaro. Ntimwibagire ko muri demokarasi nyayo, ivyicaro bitaba ntabanduka »**.

Naje ndabibabwiye, ubu si igihe c'ibibanza vy'imigambwe ni igihe co kugena indongozi zibushitse, zizoshikana Abarundi kw'iterambere. Ni co gituma ntakekeranya ko Abarundi batatoye abantu ahubwo batoye imigambi. None rero dukeneye indongozi zitaje kwicara, ahubwo zije kuyishira mu ngiro.

21. Ica kabiri ni uko twomenya ko twese dufise uruhara rwo gutsimbataza ukwikukira canecane dutanguriye gutunganya neza ivyacu.

Turazi ko hari indongozi zizeye ubuzima bwazo mu vyicaro naho iyo batarahashika bigira intungane.

Nagira ndabamenyeshe ko amatora yaraye abaye ari ubutumwa abenegihugu banshikirije.

Wa wundi ati : N'uburi ku munwa burakoroka ; nagira ndabamenyeshe ko kuva ubu tutazohigimanga gusezerera no gushengeza indongozi yose izodutetereza mu bunebwe, kwigira sindabibazwa mu kudushira mu ruhombo canke mu gusesagura no kunyonora itunga rusangi.

Nsavye indongozi zose kuvavanura na ya mvugo ngo « ndindiriye intumbero ». Ni muje mwese ku kivi, mupfume muhomba mufise ico mwerekana mwakoze.

22. Nagira ndabamenyeshe ko tutabuze ico dukora ngo Uburundi butunge kandi butunganirwe.

Uburundi bufise isi imera n'imvura, abahinga nimuve hase muje imbere abarimyi, tugwize umwimbu, turonke ivyo dufungura n'ivyo dushora.

Ni co gituma dushaka gutunganya amatongo yose y'igihugu ku buryo abarimyi bose babikeneye baronka aho barima kandi bafise n'ababafasha mu buhinga.

23. Uburundi bufise ubutare bwinshi ; ababinonosoye muze tuje hamwe twese tubwimbe hanyuma dushore, tuzane amahera yo kwubaka amabarabara, amashure, ibitaro n'ibindi vya nkenerwa. Ni co gituma tugiye gufata ingingo yo kwegeraniriza hamwe abenegihugu babishoboye mu makoperative yo kwimba ubutare, kugira ngo igisata c'ubutare kibereke aho bokwimba ubutare hanyuma gitunganye n'ingene babwegeranya buheze bushorwe. Gurtyo abo benegihugu bazoheza bikenure n'igihugu kihatorere akoyokwe.

24. Uburundi kandi ni igihugu ciza kandi gihurumbirwa n'ingenzi. Tugiye gutera intege abagwizatunga bakeneye kwubaka ibibanza vy'iratiro n'uburaro bw'ingenzi kugira abanyamahanga baza bagana Uburundi ntibabure aho bakiririrwa kandi bazanye amahera yabo.

25. Mu gusozera, nagomba nsabe zina Murundi wese kwumva ko ategerezwa kurangwa n'ibikorwa.

Umwe wese agire ikintu akoze, kimuzanira amahera yo kwiteza imbere. Umwidegemvyo mu bijanye n'ubutunzi ku Murundi wese ni vyo bizotuma twerekana ko dufise umwidegemvyo n'imbere y'amakungu.

26. Uno musi tuwuhimbaze umwe wese azirikana ingene yobungabunga intahe y'ukwikukira yadukuye habi, idusubiza iteka n'ijambo mu makungu, ubu tukaba dutunganya ivy'igihugu cacu, tuzi ko tutari ba nyamwigendako, ariko kandi tuzi ko ata

wuduturubika, canke ngo adufatire inkoni nk'impumyi avuga ati : Tambuke gurtya, muje iyo tuberetse, mukore ico mweretswe.

Nitwakora uko, nta nkeka, iki gihugu turagihindura kandi tugire iteka mu makungu bidatevye.

27. Ni kuri ayo majambo nsozerereyeko nsubira kubipfuriza umusi mukuru mwiza w'Ukwikukikira kwacu, musangire akanyamuneza muzirikana ko igihugu ari rwacu kandi ko ari twebwe tubazwa ivyaco.

**Imana Rugiravyose ibahangaze,**

**Murakoze !**